Dupimwe canceri mugihimba c'irondoka c'inkondo y'ubura Buri myaka 5

Government of South Australia
SA Health

NATIONAL
CERVICAL SCREENING
PROGRAM
A joint Australian, State and Territory Government Program

1



Ipimishe canceri mugihimba c'irondoka c'inkondo y'ubura buri myaka itanu.

2



Niba ufise imyaka hagati ya 25-74 ukaba warigeze kurangura amabanga mpuzabitsina na rimwe, ukwiye gupimwa canceri mugihimba c'irondoka c'inkondo y'ubura.

3



Ico gipimo kiraba uko amagara y' inkondo y'ubura yifashe. Inkondo y'ubura iri mu gihimba cirondoka c'umugore. Ni umuryango w'igitereko, ariwo twita inyabavyeyi.

4

Urakwiye kuja kwa muganga canke kubajejwe gufasha muganga kuvura kugira bakwiteho mukuguha ico gipimo c'inkondo y'ubura.

Niba uvyifuza urashobora kuzanana n'umuntu aguherekeje kugira ngo agushigikire.

Bizosaba ko wicara mucumba aho barindirira kugeza umuganga ahejeje kwitegura.

Muganga azokuganirira ibijanye nico gipimo c'inkondo y'ubura yo mugihimba c'irondoka.

Hari aho wokwunva ufise isoni canke ufise akoba.

Niwaba ushaka ko uwaguherekeje azoguma mucumba ashobora kuzohaguma. Uzoryama kugitanda ukure impuzu zifuka mubice vyirondoka, hanyuma wambare ishuka ifuka uhereye kumafyigo gushika hasi kumaguru.

Muganga wawe azoraba mumubiri wawe. Azokwihweza mugihimba c'irondoka cawe akoresheje icuma cabigenewe citwa "speculum".

Wibuke guhema no guhemuka impwemu nyishi, uregeze imitsi yawe yo mugice c'ivyicariro mugihe uriko urapimwa. Umwanya uwo ari wose wunvise ubabaye wihute kubwira umuganga ahagarike.

12



Muganga wawe azokoresha ico icuma cagenewe igikorwa co kwugurura mugihimba c'inda ivyara. Hanyuma azokoresha akantu kameze nk'uburoso akube yoroheje cane kugira aronke utugingo dutoduto two munkondo y'ubura.

13

Utwo tugingo duto dushirwa mugacupa karimwo amazi kugira bashobore kuturungika kubahinga bajejwe ibipimo.

14



Iyi nsiguro yakurikije icapa c'igipimo co munkanda y'ubura canditswe n'ubuyobozi bw'Umugambi ujejwe kurwanya Canceri yo mu Nkanda y'ubura muri WA. Umuhinga w'ubwanditsi n'ibicapu: Kristie Taylor

Umubiri wacu ugizwe n'utugingo duto cane. Agakoko kitwa HPV gatuma utugingo two munkondo y'ubura turwara. Igipimo co mu nkondo y'ubura cerekana niba waranduye ako gakoko kugira abaganga bakwiteho kuko bifuza ko wogira amagara meza.

15

Ushobora gukenera uwugusobanurira ururimi rw'icongereza, ari nk'umukozi canke umuntu wo mumuryango agushigikira. Muganga wawe azokubwira aho uzogarukira kugira uronke inyishu z'igipimo azoba yafashe.

16

Igipimo nicerekana ko ufise agakoko ka HPV, canke inkondo y'ubura yo mugihimba c'irondoka cawe kirwaye, muganga wawe azokubwira ico ukwiye gukora.

17



Wakoze neza cane kwitwararika amagara yawe!

Uburenganzira buharijwe ubushikiranganji bwintara ya SA.
Urashobora gukura kuri interinete, kwerekana, gukoporora no kwigana neza na neza iki kinyamakuru atakintu nakimwe uhinduyeko ufise intumbero yo kwifashisha mukazi, kwiga canke kwigisha, mugihe wanditse, ukemeza aho wagikuye, ukanavuga umutwe w'amajambo waco.

Ntushobora kugikoresha iyo ukora ivyashara canke ngo ukigurishe. Ushobora kugikoresha muburyo bwemewe n'amategeko ya Copyright ACT 1968. Ureste ubwo burenganzira ntabundi buryo bwemewe.

Itangazo rivuga ko tutajejwe gucunga ico buri muntu akoresha inkuru akuye muri iki kinyamakuru.

Iki kinyamakuru twacanditse kugira dutange insiguro gusa. Ntigisubirira impanuro umuganga canke ababinonosoreye botanga. Buri muntu agisoma arahanuwe kugenda kubonana n'umuganga hamwe n'ababinonosoye niba bikenewe. Twagize uko dushobora gutanga amakuru agezweho muri kino gihe twacandikiyeko. Abajejwe gupima igihimba cirondoka c'inkondo y'ubura mu ntara ya SA ntiyemera ko ijejwe uko insiguro z'incamake zitanzwe zisubirira insiguro zikwiye. Nico gituma itazokwemerera uwoyitwarira canke uwuzokoresha insiguro muburyo butaribwo bigatuma agira icononekara canke ico atakaza.

Ni hehe noja?

- Ni hehe noja kuronka igipimo co mugihimba c'irondoka c'inkondo y'ubura?
- Ku muganga wawe
- Ku bajejwe amagara ba GP Health Care Centres
- Kuri SHINE SA Clinics
- Kuri Women's Health Centres arivyo bitaro vy'abapfasoni
- Kubitwaririka amagara ba Primary Health Care Services

Insobanuro zijanye n'urucanco rwa HPV:

www.hpvvaccine.org.au/
www.cancerscreening.gov.au/cervical/resources

Iyandikwa ry'ibijanye n'gipimo co mugihimba c'irondoka c'inkondo y'ubura mugihugu

1800 627 701

Niba ukeneye izindi nsobanuro dushikire kuri:

SA cervix Screening Program (abajejwe gupima igihimba cirondoka c'inkondo y'ubura mu ntara ya SA)
PO BOX 6, Rundle Mall, Adelaide SA 5000
Email: healthcervixscreening@sa.gov.au
www.sahealth.sa.gov.au/cervicalscreening

Abajejwe gusobanura no guhindura amajambo mu ndimi zitandukanye: Niba ukeneye abasobanuzi n'abahindura amajambo kuva mururimi rumwe bayashira murundi rurimi hamagara
13 14 50

https://creativecommons.org/licenses
FIS: 18016.16. (KIRUNDI) May 2019